**REPUBURIKA Y'UBURUNDI**

**IBIRO VY'UMUKURU W'IGIHUGU**

**Ubunyamabanga Bukuru bwa Reta**

# ITANGAZO N°07/2025 RY'INAMA Y'ABASHIKIRANGANJI YO KU WA GATATU IGENEKEREZO RYA 04 RUHESHI 2025

Inama y'Abashikiranganji yarakoranye kuri uyu wa gatatu igenekerezo rya 04 Ruheshi 2025, i Gitega, ku Mugwa mukuru wa Poritike, irongowe na Nyenicubahiro Umukuru w'Igihugu c'Uburundi, Jenerari Majoro Varisito NDAYISHIMIYE.

Nyenicubahiro Umukuru w'Igihugu ahejeje gushikiriza urutonde rw'ivyihwezwa muri iyo nama rukongera rukemezwa, yaciye aha umwanya Nyakwubahwa Umushikiranganji wa Mbere ngo ashikirize ivyavuye mu nama nteguza y'iyo nama nshikiranganji, yarongoye ku magenekerezo ya 21 Rusama na 03 Ruheshi 2025, ivyihwejwe na vyo bikaba ari ivyari ku rutonde rw'ivyigwa muri iyo nama nshikiranganji.

1. **Integuro y'ibwirizwa risubiramwo ibwirizwa n° 1/04 ryo ku wa 05 Nzero 2011 rishiraho umugwi w'igihugu wigenga ujejwe agateka ka zina muntu,**
   Yashikirijwe n'umushikiranganji w'ubutungane



Mu ntumbero yo kwubahiriza ibwirizwa shingiro n'ayandi mategeko mpuzamakungu Uburundi bwemeje, harashizweho umugwi w'igihugu wigenga ujejwe agateka ka zina muntu.

Kuva uwo mugwi ushizweho mu mwaka wa 2011 gushika ubu, warakoze birashimwa, haba ngaha mu gihugu canke ku rwego mpuzamakungu. Ariko hariho utugorane twibonekeza bivuye ku mategeko awugenga afise utunenge.

Mu ntumbero yo gutorera umuti utwo tunenge mu mategeko, iyi nteguro mu vyo itegekanya hari nk'ivyerekeye :

1° kwubahiriza amategeko agenga itunganywa ry'amasoko ya Reta;
2° gufasha uwo mugwi gutunganya ivy'intwaro n'ibigega ku buryo ata wurenga akarimbi yitwaje ububasha afise;
3° Gutsimbataza akarangamutima ku bagize uwo mugwi;
4° Gutsimbataza umuco w'intwaro ibereye;

Inama nshikiranganji imaze kwihweza iyo nteguro ikayunganira ikongera ikanayitosora, yarayemeje.

B.P. 2800 BUJUMBURA ; Téléphone : 22 21 27 47 ; Télécopie : 22 213545 ; E-mail : sge@burundi.gov.bi

2. **Integuro y'ibwirizwa ryemeza amasezerano ngenderwako yo gufashanya hagati ya Reta y'Uburundi na Reta ya Viet Nam yateweko umukono kw'igenekerezo rya 04 Ndamukiza 2025 i Hanoi,**

Yashikirijwe n'umushikiranganji w'imigenderanire no gufashanya mw'iterambere

Ayo masezerano aje mu ntumbero yo kugaragaza ishaka ry'ivyo bihugu bibiri ryo kwagura imigenderanire bifitaniye, bifatiye ku co igihugu kimwe cose gikeneye n'ico gishoboye, kugira ngo ivyo bihugu vyose biharonkere akunguko.

Ayo masezerano ni yo fatiro mu kuzoganira no gushira umukono ku masezerano yandi yo mu bisata bitandukanye.

Iyo nteguro yaremejwe n'Inama nshikiranganji.

3. **Integuro y'ibwirizwa ryemeza amasezerano yo gufashanya hagati ya Reta y'Uburundi na Reta ya Angola mu bijanye no kwama haba kuganira mu vyerekeye imigenderanire, yateweko umukono kw'igenekerezo rya 27 Ndamukiza 2010 i Luanda,** 

Yashikirijwe n'umushikiranganji w'imigenderanire no gufashanya mw'iterambere

Intumbero y'ayo masezerano ni uko ivyo bihugu vyokwama bivugana kenshi kugira ngo bikomeze imigenderanire bifitaniye.

Iyemezwa ryayo rizoba ari iyindi ntambwe mw'itsimbatazwa ry'imigenderanire y'ivyo bihugu mu guhanahana ivyiyumviro mu vyerekeye imigenderanire.

Inama Nshikiranganji yaremeje iyo nteguro.

4. **Integuro y'itegeko riha uruhusha ishirahamwe SONALEK MINING COMPANY LIMITED rwo kwimba ubutare bwa Titane n'ubundi bibangikana mu karere ka mbere ka Ndora (Ndora I) muri Komine Bukinanyana, Intara ya Cibitoke,**

Yashikirijwe n'umushikiranganji w'amazi, amasoko ntanganguvu, ubutare n'agataka

Ishirahamwe SONALEK MINING COMPANY LIMITED ryarasavye ko ryocukura ubutare bwa Titane n'ubundi bibangikana mu karere ka mbere ka Ndora (Ndora I). Ryarashikirije Reta ivyigwa vyakozwe aho hategekenywa kwimbwa amatoni ibihumbi ijana n'umunani (108.000) ry'ubwo butare mu kiringo ca mbere. Uwo mugambi uzokorwa mu biringo bitatu (3) biri ku myaka cumi n'itanu (15).

Reta y'Uburundi izotanga agataka, iryo shirahamwe na ryo ricukure ubwo butare gusa. Hazogaburwa amafaranga yavyuye mu butare bwagurishije, Reta ikazotwara ivy'ijana mirongo itatu (30%), iryo

shirahamwe ritware ivy'ijana mirongo irindwi (70%) havuyemwo amafaranga y'integabizoza y'uwo mugambi.

Inama nshikiranganji imaze kwihweza iyo nteguro, yarayemeje, mu vyo yasavye hakaba harimwo gutomora umutumba ivyo bikorwa vyo gucura ubwo butare bizokorerwako, aho kuvuga akarere ka mbere ka Ndora, kuko si umusozi.

5. **Integuro y'itegeko riha uruhusha ishirahamwe COMEBU S.A rwo gucukura ubutare bwa colombo-tantalite na kasiterite mu karere ka Kabarore, Intara ya Kayanza,**

Yashikirijwe n'umushikiranganji w'amazi, amasoko ntanganguvu, ubutare n'agataka

Iyi nteguro ije ikurikira ibiganiro vyabaye kugira ngo hajeho amasezerano mashasha yerekeye gucukura ubutare bwa Korombo-tantarite na Kasiterite mu karere ka Kabarore ko nyene, inyuma y'aho iryo shirahamwe risubirije uturere twa Ndora na Murehe mu minwe ya Reta.

6. **Integuro y'itegeko riha uruhusha ishirahamwe SOTB S.A rwo gucukura inzahabu hakoreshejwe ubuhinga bwa none mu karere ka Masaka muri Komine Butihinda mu Ntara ya Muyinga,**

Yashikirijwe n'umushikiranganji w'amazi, amasoko ntanganguvu, ubutare n'agataka

Iyi nteguro ishikirijwe inyuma yo kuganira kugira ngo habe amasezerano mashasha hagati ya Reta y'Uburundi n'ishirahamwe SOTB S.A inyuma y'aho ishirahamwe African Mining Limited s.a rihebeye ibice vy'imitahe yaryo ishirahamwe SOTB s.a.

7. **Integuro y'itegeko nshikiranganji rishinga amakori atozwa mu gisata c'ubutare n'amabuye y'urucekeri mu Burundi hamwe n'ico Reta ironka mu mwimbu w'ubutare bucukurwa hakoreshejwe ubuhinga bubayabaye n'ubwisununuye,**

Yashikirijwe n'umushikiranganji w'amazi, amasoko ntanganguvu, ubutare n'agataka

Iyi nteguro irashiraho ikori ku bikorwa vyose vyerekeye ubutare biri mu gitabu c'amategeko agenga ubutare, ikavuga n'ingene umwimbu w'ubutare ugaburwa hagati ya Reta na koperative canke ishirahamwe ricukura ubutare.

**Inama nshikiranganji imaze guca hirya no hino izo nteguro uko ari zitatu zivuga ibijanye no gucukura ubutare, yasanze hari ingingo ziri mu gitabu gishasha c'amategeko agenga ubutare zitubahirijwe, ica irazisubiza inyuma kugira ngo zitegurwe neza hisunzwe ayo mategeko.**



B.P. 2800 BUJUMBURA ; Téléphone : 22 21 27 47 ; Télécopie : 22 213545 ; E-mail : sge@burundi.gov.bi

### 8. Umugambi w'akarere wo kwitegurira guhangana n'ibiza n'isibe,

Washikirijwe n'uwaserukiye ubushikiranganji bw'ikigega ca Reta, ubutunzi n'ugutunganya imigambi, aho ni mu gihe Umushikiranganji yari hanze mu rugendo rw'akazi

Uwo mugambi ni uw'Ibanki y'isi yose, ukaba ufise ihangiro ryo kuronsa uburyo ibihugu kugira ngo bihangane n'ibiza n'isibe canke ihindagurika ry'ibihe.

Uwo mugambi uzorangurirwa mu bihugu cumi na bibiri (12) vyo muri Afirika, ukaba werekeye ibiza n'isibe harimwo uruzuba, imyuzurira, imiyaga y'ibihuhusi, za nyamugigima, imisozi isidagurika, n'indwara z'ivyaduka.

Mu mafaranga yose hamwe ashika imiriyoni amajana icenda na mirongo ibiri na zitandatu (926) z'amadorari ya Amerika zitegekanijwe kuri ivyo bihugu cumi na bibiri (12) vyo muri Afirika, Igihugu c'Uburundi gitegekanirijwe ayangana imiriyoni mirongo irindwi (70) z'amadorari ya Amerika.

Inama nshikiranganji yihweje uwo mugambi, yaratanze uburenganzira bwo kubandanya itegurwa ryawo. 

### 9. Integuro y'ibwirizwa ryemeza amasezerano yerekeye ingurane y'amahera azokora ibarabara ry'igihugu n° 16 (Mutambara-Bururi-Mweya) - igice ca kabiri.

Yashikirijwe n'umushikiranganji w'inyubako, ibikorwa n'ibikoresho vya Reta, no kugwiza uburaro

Iryo barabara riva ku Mutambara rigashika i Mweya ariho bwinjiriro bw'Umugwa Mukuru wa poritike i Gitega. Rifise uburebure bw'ibirometero birenga gato ijana na bitandatu (106). Igice caryo gitoyi nico kimeze neza.

Kugira ngo iryo barabara rishobore gukora neza, birakenewe ko ibice vyaryo bibiri bimeze nabi bisanurwa. Ni muri iyo ntumbero Reta y'Uburundi yegereye Ibanki y'Abarabu ijejwe iterambere ry'ubutunzi muri Afirika kugira ngo isabe ingurane yo gukora ivyo bice bimeze nabi.

Iyi nteguro y'ibwirizwa yerekeye iyemezwa ry'ingurane y'Imiriyoni mirongo itandatu (60) Ibanki y'Abarabu ijejwe iterambere ry'ubutunzi muri Afirika yemereye Uburundi kugira ngo ivyo bice vy'iryo barabara bisanurwe.

Inama nshikiranganji ihejeje kwihweza iyo nteguro, yarayemeje.

B.P. 2800 BUJUMBURA ; Téléphone : 22 21 27 47 ; Télécopie : 22 213545 ; E-mail : sge@burundi.gov.bi

**10. Urwandiko rusigura isabwa ry'uburyo bw'inyongera ku ncuro ya kabiri bungana n'imiriyoni mirongo irindwi n'icenda (79) z'amadorari ya Amerika bwiyongera ku bwari bwaratanzwe mu mugambi MERANKABANDI ,**

Rwashikirijwe n'umushikiraganji wo gushigikirana, imibano, agateka ka zina muntu n'iterambere ridakumira

Iyo nyongera igira kabiri ije gufasha impunzi, kugira ngo igabanye umutwaro n'ibibazo mu kibano c'ahari amakambi y'impunzi.

Ije gufasha kugira ngo impunzi ntizigume ziteze amashi imfashanyo z'abagira neza zihabwa amakambi y'impunzi, ahubwo zishobore kwiyungunganya, mu gukora imirimo ituma zibeshaho.

Zizoronswa uburyo buzifasha kuva mu makambi y'impunzi zishobore kuba mu benegihugu bandi.

Inama nshikiranganji imaze guca hirya no hino iyo nteguro, yarabonye ko gufasha impunzi ari vyiza ko rero uwo mugambi wobandanya, ariko nk'uko bigenda mu bihugu vyakiriye impunzi vyose, amategeko agenga impunzi yokwubahirizwa nk'uko yanditse.



**11. Integuro y'itegeko risubiramwo itegeko n°100/273 ryo kuwa 06 Kigarama 2021 risubiramwo itegeko n°100/107 ryo kuwa 07 Ndamukiza 2021 rishinga Umugambi « PAEEJ »,**

Yashikirijwe n'umushikiranganji w'imigabo n'imigambi y'umuryango muri Afrika y'ubuseruko, urwaruka, inkino n'imico kama.

Iyi nteguro ije kwisunga ibwirizwa rishasha rishinga intara, amakomine n'imitumba hamwe n'irigenga intwaro mu makomine.

Ni no kugira ngo umugambi PAEEJ ube umugambi wamaho kandi ukore neza kuruta mu kuwuronsa umwidegemvyo wo gutunganya ivy'intwaro n'ibigega.

Inyuma yo guca hirya no hino iyo nteguro mu kuyunganira no mukuyitosora, inama nshikiranganji yarayemeje. Mu vyashinzwe harimwo ko uwo mugambi uzokurikiranirwa hafi n'Umugwi utwarirwa mu biro vy'umushikiranganji wa mbere, ugakukira Ibiro vy'umukuru w'igihugu kubera yuko ari umugambi ukorera mu bisata biri mu bushikiranganji bwinshi.

## 12. Utuntu n'utundi

Mu tuntu n'utundi, Nyenicubahiro Umukuru w'Igihugu yarashimye ingene imyiyamamazo yo kwitegurira amatora yagenze aho ata ngorane zikomeye ziboneke je.

Yaboneyeho gushimira abajejwe intwaro n'umutekano k'ukugene bavyifashemwo neza. Yasavye ko abagize uruhara mu tugorane utu canke turiya twoba twaribonekeje tujanye no gushaka gutoba amatora bohanwa.

Bigiriwe i Gitega , 05 Ruheshi 2025

**Umunyamabanga mukuru wa Reta**
**Jérôme NIYONZIMA. -**

REPUBLIQUE DU BURUNDI
CABINET DU SECRETAIRE GENERAL DE L'ETAT
PRESIDENCE DE LA REPUBLIQUE



B.P. 2800 BUJUMBURA ; Téléphone : 22 21 27 47 ; Télécopie : 22 213545 ; E-mail : sge@burundi.gov.bi